REPUBLIQUE DU BURUNDI

CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

SECRETARIAT PERMANENT

ITANGAZO RY'INAMANA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE UMUTEKANO

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yarakoranye mu nama yayo isanzwe kw'igenekerezo ya 16 Myandagaro 2019 irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu akongera akaba Umukuru wiyo Nama.

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano imaze guca hirya no hino ingene umutekano wifashe mu gihugu cose, ishikirije ibi bikurikira :

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashima ingene umutekano wagumye wiyongera mu gihugu cose. Yaciye iboneraho akaryo ko gushimira abarundi bose, inzego zijejwe Umutekano, abajejwe ubutungane, abajejwe intwaro, hamwe namakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose, basenyeye kumugozi umwe mu kubungabunga amahoro n'umutekano haba hagati mu gihugu canke ku mbibe zaco. Iyo nama imaze kubona ko umutekano wifashe neza, yaciye ishikiriza abarundi ingingo zikurikira muntumbero yo gutsimbataza aya mahoro n'umutekano igihugu cacu gifise.

A. Mu vyerekeye politike.

1. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano imaza kubona ko hariho abarongoye imigambwe izwi n'amategeko batari bake bataramenya neza ibiri m' Umugambi w'Igihugu wogutsimbataza Umutekano, yasavye ko Ubunyamabanga bw'iyo nama nkuru ijejwe umutekano bifatanije n'Ubushikiranganji bw'Intwaro yo hagati mu gihugu, gutegura inyigisho zijanye n'ugusigurira abo barongoye imigambwe uwo mugambi kugira bawugire uwabo bongere bawumenyeshe abanywanyi babo cane cane urwaruka ruhurikiye mur'iyo migambwe.

B. Muvyerekeye ubutunzi

2. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irifatanije n'abarundi bose mu gushimira Imana ku mwimbu ushimishije wabonetse muri uyu mwaka.Iboneyeho akaryo ko gusaba abarundi ko bokoresha neza uyo mwimbu ntibawusesagure.

   Ariko rero, inama Nkuru y'igihugu ijejwe Umutekano iranebagura inyifato y'abadandaza bamwe bamwe baduza ibiciro uko bishakiye ata mvo ziriho zumvikana. Kubw'ivyo, inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano irasavye Ubushikiranganji bw'Ubudandaji, n'abandi bose babijejwe guhagarika n'uguhana abo badandaza bikika mu gahumbezi kugira basahure abenegihugu mbere na Leta.

   Inama Nkuru y'igihugu Ijejwe Umutekano iratewe amakenga n'ikena, mbere n'iduzwa ry'ibiciro ry'ibinyobwa bimwe bimwe vya BRARUDI ata mvo yumvikana ihari. Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano, isavye ubushikiranganji bw'ubudandaji n'izindi nzego zibijejwe, gukurikiranira hafi iyo ngendo igayitse, uwumenyekanye ko abifisemo uruhara agahanwa hakurikijwe amategeko.

Inama Nkuru y'igihugu ijejwe Umutekano, iranebagura inyifato y'abadandaza bavunja amafranga y'agaciro bibonekako batacubahiriza amategeko agenga ico gisata yashizweho n'Ibanki Nkuru y'Igihugu (BRB), ivyo bigatuma ifaranga ry igihugu rita agaciro, mbere n'ubutunzi bw'igihugu bugasubira inyuma. Kubw'ivyo, Inama Nkuru y'igihugu Ijejwe Umutekano irasavye Ubushikiranganji bujejwe Ikigega ca Reta, ubw'Ubudandaji, ubw'Ubutungane, ubw'Umutekano hamwe n'Ibanki Nkuru y'Igihugu ko boja hamwe mu ntumbero yo guhasha abo bose bariko bakora ubwo busuma busubiza inyuma ubutunzi bwigihugu.

Inama Nkuru y'igihugu Ijejwe Umutekano, imaze guca hirya no hino ingene amabanki akora, yasanze hariho Amabanki asaba abanywanyi bayo inyungu z'umurengera kubasavye ingurane muri ayo mabanki ; ivyo bigatuma umunyagihugu ataco akuramwo comuteza imbere ; ahubwo agahomba gushika naho agurisha ivyo yaratunze kugirango ashobore kwishura iyo ngurane ; mbere n'imiryango ugasanga hariho n'imiryango iciye isambuka bivuye kuri iyo nyungu isabwa y'umurengera.

Kubw'ivyo, Inama Nkuru Ijejwe Umutekano irasavye ababijejwe bose, cane cane Ubushikiranganji bw'ikigega ca Leta, Ibanki Nkuru yIgihugu kwicara hamwe mu maguru masha n'ayo ma banki kugira batore inyishu y 'ico kibazo mu kiringo kitarenze amezi abiri.

Igisata c'ubutare n'agataka

Inama Nkuru Ijejwe Umutekano imaze kwihweza ivyegeranyo bitangwa n' abarongoye amashirahamwe acukura ubutare mu gihugu cacu, n'akakabuye kakabuyenge, yasanze ko amashirahamwe amwamwe adakurikiza amategeko y 'igihugu n'amasezerano yateyeko igikumu na Reta. Kubera izo mvo, Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano isavye ko Ubushikiranganji bujejwe Ubutare n'Agataka, kubikwirikiranira hafi hagafatwa ingingo kw'ishirahamwe ryose

rizoba ritubahirije amasezerano , canke ritanga raporo itariyo muntumbero yo kunyegeza ukuri kumwimbu baronka. Kugira ngo bibaye ngombwa hafatwe ingingo ruhasha muntumbero yo gukingira inyungu z'igihugu.

Igisata c'uburimyi

Muntumbero yo gushigikira utwigoro tw'abagwizatunga babarundi na cane cane bagashinga amahinguriro mu gihugu, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano, irashimishwa n'intambwe y' ihinguriro rishasha rikora umwavu w'ikizungu FOMI rimaze gushikako, risabwe kubandanya ritera imbere mugukora neza, kandi Reta ikaba irishigikiye. Ni muri iyo ntumbero inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano isavye ubushikiranganji bw'uburimyi gushigikira iryo shirahamwe kugira rirushirizeho gukora ifumbire nziza y'akanovera kandi ikwiye. Vyongeye, ubwo bushikiranganji busabwe kumenyesha amashirahamwe asanzwe agurira hanze y'igihugu ifumbire y ikizungu nka OTB, INTERCAFE, SOSUMO, ISABU, n'abandi bari mu mashirahamwe yigenga, ko guhera ubu bogurira ifumbire muri iryo shirahamwe FOMI, munzira yo kuziganya amafranga y' agaciro yahora aja hanze y' igihugu.

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irakenguruka ingingo yafashwe n'Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta hamwe n'ubw' Uburimyi yo kurihira icarimwe abarimyi b'ikawa amahera yabo yose guhera mundwi itangura. Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano isavye ubwo bushikiranganji bwose ko bwokubahiriza neza ico kirangamisi bashikirije co guhemberako abarimyi b'ikawa.

Mu ntumbero y'umugambi wo gutegekaniriza kazoza mu bijanye n'ibifungurwa, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasavye Ubushikiranganji bujejwe uburimyi gushiraho inzego z'Ikigega c'Intega Bizoza mu bijanye n'ibifungurwa (AGENESA) kugira gitangure gukora mu maguru masha imirimo kijejwe.

C. Mu vyerekeye ibidukikije

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashimishwa n'intambwe abenegihugu bagezeko mu gukingira ibidukikije,

Iboneyeho akaryo ko gusaba abajejwe intwaro n'abandi bakorera muri ico gisata ko bobandanya basigurira abenegihugu akamaro ko kubahiriza ibidukikije no kumenya neza akamaro kurya musi wa kane wo mundwi wahariwe ibidukikije ; batibagiye akamaro ntangere ko kurwanya imiriro ya nyakanga.

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasavye abategetsi b'igisagara ca Bujumbura ko bohagurukira ibikorwa bijanye no gusukura igisagara muntumbero yo gukinga indwara zituruka kw'isuku rike zibonekeza muriyi misi. Ni muri iyo ntumbero nyene, Inama Nkuru y'Igihugu isavye ababijejwe bose ko bofata ingingo zihana abantu bose bubaka hejuru y'imiringoti canke imifurege itwara amazi.

Muvyerekeye Imibano

Biribonekeza ko muriyi misi hari urwaruka ruhurumbira kuja mu bihugu vyo hanze, kandi bashikayo bagafatwa nabi. Kubwivyo Inama Nkuru y'Umutekano irasaba abavyeyi ko bokwigisha abana babo gukunda igihugu cabibarutse, hamwe n'ibikorwa bizobafasha kwiteza imbere.

Kubijanye n'indero, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe umutekano irashimiye cane abanyeshure bariko barakora ibikorwa vy'iterambere bari muburuhuko bw'ici, ikaba iboneyeho akaryo ko kubatera intege kanatsinda nibo mboneza z'ejo. Ariko rero, inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano iranebagura inyifato itabereye y'abanyeshure bamwe bamwe yibonekeje kugeza naho bitabagurirako umwambaro w' amashure yabo kandi ataho vyakabonetse mu mico y'ikirundi ; Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano irasavye Ubushikiranganji bujejwe inyigisho mu mashure mato mato n'ayisumbuye ko bwofata

ibihano bikwiriye abo banyeshure bigenje nabi mukwerekana iyo nyifato mbi kandi aribwo Burundi bwejo, bagahanwa hinsunzwe amategeko agenga inyigisho n'indero mu mashure.

Amagara y'abantu

Muriyi misi haribonekeza indwara z'ivyaduka cane cane mugihugu kibanyi ca Repubulika ya Kongo iharanira demokarasi, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yasavye Ibiro vy'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu ko vyoshiraho Umugwi w'igihugu ujejwe gukinga no kurwanya ingwara z'ivyaduka mu gihugu cacu nka Ebola, Choréra n'izindi.

Iyunguruzwa ry'Abantu

Kuvyerekeye iyunguruzwa ry 'abantu cane cane mu gisagara ca Bujumbura, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yasavye ubushikiranganji bujejwe igisata cukwunguruza abantu n'ibintu ko bwubaka ibituro bizwi vy'amamodoka yunguruza abantu, bifise ubwugamwo hamwe n'utuzu twa sugumwe.

Muguheraheza, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano ihamagariye abarundi bose kubandanya batsimbataza amahoro n'umutekano vyo soko ry'iterambere rirama.

Nihahangame amahoro n'umutekano mu gihugu cacu,
Imana Ikingire Uburundi n'Abarundi.

MURAKOZE.